# ZINA KINTU COSE KIBORERA, KIBA KIZIRA

Mu vyakiriwe na Abu Burda kuri Se wiwe Abu Musa Al-Ash'ariy (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko mu vy'ukuri Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yigeze kumurungika mu Gihugu ca Yemeni, agarutse amubaza ku vyerekeye ibinyobwa bihingurirwayo, maze avuga ati: "Ni ibihe binyobwa bihingurirwayo?", Abu Burda na we aca yishura ko ivyo binyobwa ari ivyitwa "Al-Bit'u" na "Al-Mizru", aca arabazwa ati: "Al-Bit'u", ihinguwe mu biki?"", aca arishura ati: "Ni inzoga ihinguwe mu buki"; nayo "Al-Mizru", ni inzoga ihinguwe mu ngano. Umuvugishwamana aca avuga ati: "Ikintu cose kiborera, kiba kizira". Mu vyashikirijwe na Muslimu, hakoreshejwe aya majambo ko: Abu Burda yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarigeze kundungika jewe hamwe na Mu'aadhi mu Gihugu ca Yemeni, tugarutse nca mvuga nti: "Ewe Ntumwa y'Imana! Mu vy'ukuri, mu Gihugu cacu twahoramwo hari ikinyobwa citwa "Al-Mizru" gihingurwa mu ngano, n'ikindi citwa "Al-Bit'u" gihingurwa mu buki". Intumwa ica imwishura iti: "Zina kintu cose kiborera, kiba kizira". Mu bundi bwakirizi bwashikirijwe na Muslimu nyene, havugwa ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Zina kintu cose kiborera kigatuma umuntu atibuka isengesho ico ari co, kiba kizira". Hari n'ubundi bwakirizi bwashikirijwe kandi na Muslimu hongeweko ko "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yari yarahawe ububasha bwo gukoresha amajambo make ahurikiyemwo insiguro nyinshi, asozerwa n'ingingo, maze aca avuga ati: "Yarabujije zina kintu cose kiborera kigatuma umuntu atibuka isengesho ico ari co"".

[صحيح] [رواه البخاري ومسلم]

Abu Musa Al-Ash'ariy (Imana Allah Imwishimire) aratwiganira ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yamurungitse mu Gihugu ca Yemeni, amaze kugaruka aca amubaza ku vyerekeye ibinyobwa bihingurirwayo ko vyoba bizira, Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aca abanza kubaza neza ivyerekeye nya binyobwa. Abu Musa (Imana Allah Imwishimire) aca adoma urutoke kuri nya binyobwa ko ari: ivyitwa "Al-Bit'u" ihingurwa mu buki na "Al-Mizru" ihingurwa mu ngano. Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aca aba asanzwe yarahawe ububasha bwo gukoresha amajambo make ahurikiyemwo insiguro nyinshi, aca avuga ati: "Zina kintu cose kiborera, kiba kizira".

النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY

لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC
E-Da'wah Committee